**RUFYIKIRI Isidore**

Title: INCACANYA MU BARUNDI

Note:

Barundi , Barundikazi mwese , Ni mugir ' Amahoro .

Kubera ibihe bigoye n' ingorane zitagirizina tumaze mwo imyaka myinshi , haradutse abantu b' incacanya bashuhagiza ikinyoma bakagisuka mu Barundi , babicishije mu binyamakuru n' amaradiyo amwamwe. N' uko hadutse Abarundi bamwe bamwe bitwa ngo n' incabwenge , uza wumva bariko baradiha inkuru ngo mu Burundi hariho ubwoko bushasha tutari bwumve bwitwa Abahutsi, ngo ni nabwo Uburundi bwozera ko urukiza mu kuva mu ngorane zatewe n' inryane twamamwo.

Har ' ubwenge buhanitse abansi b'Uburundi batoye , cane cane guhera mu mwaka wa 1987 , bwo kuyovya no kuzimagiza Abarundi mu gucanga amoko y' Abahutu n' Abatutsi , bitwaza kwiyoberanya kw' Abahutu bamwe bamwe binyegeza mu Batutsi bakiyita Abatutsi kubera gusa ko ba nyina babo ar ' Abatutsikazi ,kandi ba se b ' amaraso ar ' Abahutu . Maze bakimbira Abatutsi babihishije mwo , bakoreshwa n ' abazungu bamwe bamwe bishinze kubandanya umugambi w ' ihonyabwoko ry ' Abatutsi mu Burundi . Ntitugume lero tujuragirika : Uburundi bugizwe n' amoko atatu gusa : Abatutsi , Abahutu n' Abatwa . Mu migenzo kama n' amategeko y' Uburundi , umwana atwara ubwoko bwa se : umwana avutse ku Muhutu n' Umututsikazi yitwa Umuhutu canke Umuhutukazi ; umwana avutse ku Mututsi n' Umuhutukazi yitwa Umututsi canke Umututsikazi. Murumva lero , cane cane mwebwe rwaruka mukiri bato, ko ata bwoko bwitwa Abahutsi buriho. Ico kintu twaherutse kucumva ubwa mbere kuri Prezida Havyarimana Juvenal mu Rwanda mu bihe yariko arategura Interahamwe n' Impuzamugambi ingene zizokora genocide y' Abatutsi ya 1994 . Ico kijambo lero , uretse ko cuzuye mwo ububeshi n ' ubugome bwinshi , s' ikintu c' ugukinisha tugikwegera mu Barundi . Kanatsinda , benshi mu bahimiriza ko arico cotabara Uburundi , babigira babizi , kuko hagati y' umwaka wa 1987 n' uyu munsi , Uburundi bwaratwawe imyaka 28 n' abaprezida babiri tuzi twokwita Abahutsi muriyo mvugo y ' icaduka , ariko nta mahoro bahaye Abahutu kandi nta mahoro bahaye na gato Abatutsi , ahubwo nivyo bihe Uburundi bwabonye amakuba n' amaganya butigeze bubona kuva bubaho . Ntihagire lero incacanya zisubira kuyovya ubwenge bw' Abarundi zikoresha uruyeri rw ' ububisha bwinyegeje mu majambo afobetse agenda ahikahika nk ' igicu gitway ' imvura.

Ubumwe bw ' Abarundi ntibuhagaze ku kuvanga amoko yabo , umwe wese afise akaranga kiwe kamere ; ariko biraboneka kandi vvyaramenyekanyye ko hariho umugambi rwihishwa wo kuzimanganya ubwoko bw ' Abatutsi biciye mu guhimiriza Abahutu kurongora Abatutsikazi kugira bitebe bitebuke hagwizwe bwa bwoko bushasha bw 'Abahutu bitwa Abahutsi , kuko nta Mututsi yitwa Umuhutsi. Ubumwe bw ' Abarundi buhagaze ku gusangira Igihugu n' ivyiza bikiranga , mu kukigwanira , mu gusabikanya mu rukundo utwo bimbuye mu mirimo itandukanye bakora, mu gutabarana ingwara ,

ingwano n, ibiza vy ' ubwoko bwose.
Ikibabaje canke kigoye Abarundi s' uko bamwe bafise ubwoko ubu abandi buriya. Ayo moko yose uko ar ' atatu yamye abana afashanya , yuzuzanya mu budasa bwayo, ntaho tuzi canke turasoma mu bitabo vya kahise ubwoko kanaka bwoba bwarigeze bugwana n' ubundi . Ikigoye Abarundi bo mu bwoko bwose, cane cane kuva mu mwaka wa 1972 gushika Uwu munsi , n' ukubura Umukuru w 'Igihugu n' umwe yoza asubiza INTAHE mu Gihugu , akubahiriza UBUTUNGANE kuri bose ata nkunzi , agahoza amarira n'amaganya abayingishijwe canke bahahamuwe n' ivyaha vy ' uruhererekane bidahanwa . Nayo kwitwa Umututsi , Umuhutu canke Umutwa, nta kibi nta n' iciza na kimwe kirimwo , ni nko kuvuka wirabura canke wera, uri mugufi canke uri muremure, ikibi gusa n' ukwitwaza ubwoko kugira ukumire , urenganye canke wice uwo mudasangiye ubwoko. Amoko ari mu Burundi twese twayasanzeho kandi dutegerezwa kuyasiga uko twayasanze kuko yose yaremwe n' Imana ngo abane yongere yuzuzanye kuko ntasa kandi ntasangiye impano n' imico muri vyose mu buhinga bwo kubaho .Aho kuguma ducura ubwenge bwenyegeza ubujiji mu mitwe y ' Abarundi , cane cane tuyovya uruvyaro rwacu , ari nako dukamira mu coze ba banyamahanga bama bariko barondera kutuzingamika ngo ntituvyurumutwe ngo twitezimbere , twebwe twitwa incabwenge twari dukwiye kwihutira kwiyumvira n' ukumurikira Abarundi benewacu uburyo butumbereye ,butagira ikinyoma kandi butagir ' uburyarya , bwotuma dushiraho Intwaro irongowe n'abantu ataco biyotsa mu mabi Abarundi barimwo kuva 1972 gushika ubu kandi batagoswe n' ivyiyumviro bicuritse vy 'Imigambwe bakomokamwo ibazwa ayo mabi. Aho honyene niho UBUTUNGANE butagigimiza buzosasigwa indava mu Burundi ,ukudahan' ivyaha kugacik ' umugani , abakoz ' ivyaha bakagaragazwa n' intahe idatamitsw' ijambo , maze ibinyoma n' amarimirimi , ukwitana ba mwana n' ukurem ' ibara mu bantu , hamwe n'ukudendekeranya ku vyabaye muri kahise k ' UBurundi n' ababikoze , bikaranduranwa n' imizi . Gurtyo lero INTAHE ikavumera mu Gihugu , abasuma n'abicanyi bakadomwako urutoke ata mpuhwe , bagahanwa bakihanagura , ku buryo n' aboba bagifise agatima karebagana ko kwiba n' ukwica bacuts ' umutima ubutagisubirayo.Aho honyene niho Umurundi wese azotekanigwa , akarima ntarimarime , akitez ' imbere adakebaguzwa, inzigo y' akazikira n' imyikomo bigacibwa burundu mu mitima y ' abana n' abuzukuru bazodukomoka ko

Barundi , Barundikazi, ngo intabwigwa yabwiwe n' uko amaso atukuye, ngo icicwa caburiwe n' impongo , nayo ngo agasozi k' intabarigwa kahiye abagabo babona : aha nagomba mbonereho ndabacire agace nongera ndabakebura . Murabona amatora yandi aregereje kandi murazi ko yama ajana n' iterabwoba , ububeshi bwenyaguje , urwanko, ubwicanyi , n' ayandi mabi menshi ;ntimusubire gukangwa n' amajambo asosa y ' iyo migambwe yahemukiye na ntaryo Ubutungane n' umutekano vy ' Uburundi ; ntimusubire kujondamira iterabwoba ry ' imigambwe musanzwe muzi n' inyigisho ziheka ku moko , kuko vyarigaragaje ko abo mutoye murubwo buryo atarico babamaza ataco babamarira, kuko n' ingunge zigungirako gusa , zikarya Abarundi zibihishako . Umu Prezida w 'Umututsi atwaye Igihugu s' Abatutsi bose baba batwara, ari umu Prezida w' Umuhutu atwara nikwo kwukwo. Ntimusubire guhendwa : igihambaye s' uko Uburundi butwagwa n' Umuhutu canke n' Umututsi canke Umutwa.Igihambaye n' uko Umukuru w ' Igihugu aba ar ' Umurundi ,mukamutora mwitonze , mukabaz '

umutima , mukarinda ubwoba , mukarengera ivyo babahendesha bagura amajwi yanyu mu bihe vyo kwiyamamaza , maze mukitorera INTORE nyayo ikunda Uburundi n' Abarundi , itarigera ihemukira Abarundi , yobakiza umudugararo , ubukene , ubusuma n' ubwicanyi . Ubutware nyabwo buri mu minwe y' Umukuru w' Igihugu , niwe wenyene atuma Igihugu kibaho neza canke nabi bivuye ku buntu canke ububegito kamere afise ; abandi bose muri Leta n' Inama Nshingamateka , n 'abakozi ba Leta nk 'abandi , barategekwa mu mwumvikano. Aho lero muze muhagabire. Ni mwabona amatora ageze ata ngingo zibereye zirafatwa kugira mutore uko mwifuza ata mbugita ku gakanu , aho gutora umubisha canke umuhimbiri mumubona kandi mumuzi ,mwosiba gutora , kuko mwarabibonye ko utora nabi ugatwagwa nabi .
Iri jambo ndaribashikirije nk ' umwana w' Uburundi n' Abarundi , mu rukundo rutarondera ingero n' amaronko , kuko nta mahiganwa nzoba ndimwo, ariko ndajw ' ishinga n' uko Abarundi botora neza kugira babeho neza , ntibasubire kwikwegera amakara nk ' igikoba .
Imana ya ba Sokuru na ba Sogokuruza imurikire kandi irinde Abarundi.
Ni Mugir ' Amahoro .INTAHE yiganze mu Burundi .
Bishikirijwe kur 'uyu wa 30 Mukakaro 2019 .
Me Isidore RUFYIKIRI
UMUKURU W ' UMUHARI MORENA .